URUKURIKIRANE RW'IBIGANIRO VY'UMUHARI INAMAHORO KU GATEKA KA ZINA MUNTU K'ABIGEME N'ABAKENYEZI

Akazi ko mu nzu mu gihugu ca Arabiya Sawudite yoba ari amahirwe canke ubuja ku bigeme n'abakenyezi b'Abarundikazi ?

Umuhari Inamahoro umaze iminsi ukurikiranira hagufi ubuzima bw'abigeme n'abakenyezi bagiye gukora akazi ko mu nzu mu gihugu ca Arabiya Sawudite. Kuja gukorayo no kuronka akazi benako vyaravuzwe cane, eka mbere biranamamazwa nk'amahirwe adasanzwe ku bantu bazogira Imana bakaronka akazi ako mu nzu, cane cane muri iki gihe igihugu cacu cugarijwe n'ubukene bwokora amakara bagata. Ni muri iyo ntumbero, ku wa 3 gitugutu 2021, Leta y'Uburundi n'igihugu ca Arabiya Sawudite bagiriranira amasezerano yo kwakira abakozi bo mu nzu.

Muvyo ayo masezerano ategekanya harimwo ibi bikurikira :

- Amasezerano y'akazi yemewe n'igihugu c'Uburundi be n'igihugu ca Arabiya Sawudite, ayo nayo agategerezwa kwubahirizwa n'umukoresha, n'umukozi azokora ako kazi ko mu nzu, n'ibiro bijejwe kurondera abakozi muri Arabiya Sawudite be n'ibiro bijejwe kurondera abo bakozi mu Burundi,
- Ayo masezerano kandi asaba ivyo bihugu gutunganya no kugenzura amafaranga atangishwa mu kurondera abo bakozi bo mu nzu,
- Ako kazi gategerezwa gutangwa n'ibiro vyemewe na Leta,
- Kirazira kikaziririzwa kurihisha abigeme canke abakenyezi bariko barondera ako kazi amafaranga ajanye no kurondera abo bakozi. Birabujijwe kandi kubakata ayo mafaranga ku mishahara yabo,
- Ugushobora kwitura inzego zibijejwe mu gihe hoba amatati,
- Ku ruhande rwa Arabiya Sawudite, amasezerano ateganya gukurikiranira hafi ishirwa mu ngiro ry'amasezerano y'akazi, kubanguka gutabara iyo hari ikigoranye.

Ayo masezerano naho mu nyandiko asa nayameze neza, mu ngiro vyabaye ibindi : ivyari bisa n'amahirwe adasanzwe ku bigeme n'abakenyezi b'Iburundi, vyahavuye biba ivyago kubatari bake. Uyu n'umwe mu bakenyezi indiri yatuyagiye ivyiwe. Yagize ati :Jewe nagiye muri Arabiya Sawudite muri 2025 kugira nshobore kubeshaho umuryango wanje, ndihire amashule abana banje, eka nshobore kwibeshaho. Bari banyemereye agahembo gashimishije. Bankoresha amasaha 20 ku munsi, Narakubitwa, narasinzikarijwe ubuzima, narafashwe ku nguvu n'umukoresha wanje, urupapuro rw'inzira rwanje bararunyatse. Amezi icenda aheze ntahembwa naciye mpagarika akazi nsaba gutaha.

Muri rusangi, abigeme n'abakenyezi baronse akazi ko munzu muri Arabiya Sawudite bahura n'ingorane nyamukuru zikurikira :

- Abakora ako kazi ko munzu bategekwa gukora amasaha agera kuri 19 ku munsi. Uretse ko atamunsi wakaruhuko baronka, bakora bugaranywe atanuwo bashobora kuvugana kuko kenshi na telephone zabo baba barazibatse.
- Barakubitwa n'abakoresha babo, n'abana b'abakoresha babo eka mbere n'abashitsi bagendeye aho bakorera.
- Barafatwa ku nguvu n'abakoresha canke abagenzi babakoresha babo. Kubera baba bugaraniwe mu ngo bakoreramwo, baraturubikwa cane.
- Ivya ngombwa vyabo baravyakwa bagishika aho bakorera.
- Uretse ko kenshi badahembwa kugihe, bafata umushahara uri munsi y'uwo bumvikanye n'umukoresha wabo. Kenshi ayo mahera anyuruzwa n'abitwa abaranzi b'akazi batazwi n'inzego canke n'ivyo biro bizwi ko arivyo biranga abo bakozi.
- Hariho amafaranga atemewe n'amategeko arihishwa abakenyezi baronswa ako kazi.

Umuhari Inamahoro, wihweje ubuzima abigeme n'abakenyezi bakora akazi ko mu nzu muri Arabiya Sawudite babayemwo, uribaza na ntaryo ko ayo masezerano yo kwinjiza abakozi bo munzu yasezeranywe na Leta y'Uburundi na Arabiya Sawudite, uravye ingene ariko arashirwa mu ngiro, ko yoba ari amahirwe baronse canke bwoba bwabaye uburyo bwo kubacuruza muri ico gihugu. Cane cane ko usanga abarondera abo bakozi bibanda kenshi ku bigeme n'abakenyezi basanzwe bafise ubukene butagira izina. Aha twovuga nk'abapfakazi, impfuvyi, abigeme bireranye abana bonyene….

Kubera ivyo lero, Umuhari Inamahoro usavye ibi bikurikira :

Ku nzego za Leta:

- Gushiraho ingingo mperekeza zishira mu ngiro ingingo zose ziri muri ayo masezerano
- Gutangaza ibiro vyemerewe kurondera abakozi bo mu nzu no guhana abo bose barihisha amahera abigeme n'abakenyezi
- Gutegeka gusigurira uwo wese yaronse ako kazi amasezerano yiwe uburenganzira bwiwe mu rurimi yumva akaronswa n'amasezerano y'akazi
- Kwama na ntaryo batangaje ingene ayo masezerano ariko arashirwa mu nzira, hakama hazwi igitigiri c'abaronse akazi n'ingene bamerewe

Ku biro bijejwe kurondera abo bakozi:

- Kudasubira gutangisha amahera abigeme canke abakenyezi bipfuza kuja gukora ako kazi no kubaha amasezerano y'akazi yubahiriza amasezerano ibihugu vyagiriraniye
- Gukwirikirana ubuzima bw'abigeme n'abakenyezi barungitse muri Arabiya

Ku baduserukizi b'igihugu muri Arabiya Sawudite :

- Kugira urutonde rw’abigeme n’abakenyezi bose bariko barakora
- Kubaha inomero ya téléphone n’umuntu bashobora gutabaza bamerewe nabi;
- Gukurikiranira hagufi abo bose bari mu ngorane

Abigeme n’abakenyezi bipfuza ako kazi, tubahanuye ibi bikwirikira:

1. Kugenzura na ntaryo ko uwuriko aragusaba kuja gukora ako kazi ari mu babirekuriwe n’amategeko
2. Kudasubira kwemera kwibwa mu gutanga amafaranga ajanye no kurondera ako kazi.
3. Gusoma neza, gusiguza amasezerano y’akazi ugiye gukora. No kugumya icopie y’ayo masezerano be n’igipapuro c’inzira.
4. Kuja kwiyandikisha mu biro vy’uwuserukira Uburundi muri Arabiya Sawudite ukihashika.
5. Bika ahadata inoméro z’ubuserukizi bw’Uburundi be na numéro z’umuntu w’umwizigirwa ari mu Burundi,
6. Rondera abigeme n’abakenyezi bamaze gukora ako kazi ubabaze ingene bigenda ubasaba n’impanuro.

Kuja gukora ako kazi ku mahanga ni uburenganzira bw’umw’umwe wese kandi n’ubutwari budasanzwe. Ariko ubwo butwari bwonyene ntibukwiye kugira uburengazira bw’abakozi bo mun nzu bwubahirizwe. Leta y’Uburundi ko yishinze ico gikorwa, ni yemere no kwubahiriza no kugenzura ko amasezerano yashizeko igikumu ariko arashirwa mu ngiro ku neza y’abarundi n’abarundikazi!